ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU "ITEKA"

Uwo uri wese ubahirizwa

# ICEGERANYO C'INDWI

## "Iteka n'Ijambo"

***Indwi yo kuva kuwa 07-13 Ndamukiza 2025***

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana ukuntu agateka ka zina muntu hamwe n'umutekano bigeze ahatemba mu Burundi. Haharurwa abantu 6 bapfuye, bose batowe ibiziga. Vyongeye, umuntu umwe yaranyurujwe, 2 baraborejwe igufa, 5 bahuye n'ihohoterwa rifatiye ku gitsina harimwo 3 bafashwe ku nguvu b'abana bato hamwe n'umwe yahagaritswe bidaciye mu mategeko.

Agateka ku bantu no muri politike,mu butunzi n'imibano hamwe no mu mico kama navyo birihwezwa muri kino cegeranyo.Ishusho ya politike,umutekano,abantu n'ubuntu ,intwaro hamwe n'agateka ka zina muntu navyo nyene biravugwa ko.

Imbonerakure, abapolisi be n'abo mu ntwaro nibo ahanini bikekwa ko ayo mabi yo kutubahiriza agateka ka zina muntu.

**IBICE BIKURU BIKURU**

*I. UMWIHWEZO*

*II. UBURENGANZIRA BW'ANYAGIHUGU NA POLITIQUE*

*III. UBURENGANZIRA M'UBUTUNZI, IMIBANO N'AKARANGA*

# IBIRIMWO

*I.UMWIHWEZO* ... 4
*I.1.UMWIHWEZO WA POLITIKE* ... 4
*I.2. UMWIHWEZO KU BANTU N'UBUNTU « UGUFATANAMUNDA»* ... 5
*I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO* ... 5
*I.4. UMWIHWEZO KUGATEKA KA ZINA MUNTU* ... 6
*I.5. ISHUSHO Y'UMUTEKANO* ... 7
*II.UBURENGANZIRA BW 'ABANYAGIHUGU NO MURI POLITIKE* ... 7
*II.1. UBURENGANZIRA BWO KUBAHO* ... 7
*II.1.1. Ibiziga vyatowe* ... 7
*II.1.2. Inyuruzwa n'iburwa irengero* ... 9
*II.2. UKUBAHIRIZWA KU MUBIRI NO MU MUTWE* ... 9
*II.2.1. Kuborezwa igufa, gucugwa bufuni na buhoro, guturubikwa* ... 9
*II.2.2. Ihohoterwa rishingiye ku gitsina* ... 10
*II.2.3. Ayandi ma hohoterwa* ... 11
*II.3. UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA* ... 11
*II.3.1. Abantu bahagaritswe bitemewe n'amategeko* ... 11
*III. UBURENGANZIRA MU MIBANO, UBUTUNZI, IMICO KAMA* ... 12
*III.1. IHUNGABANA RY'UBUZIMA MU BUTUNZI* ... 12
*III.2. UBURENGANZIRA KUNDERO* ... 12
*III.3. UBURENGANZIRA BWO KUVURWA* ... 13
*IV. GUSOZERA N'IMPANURO* ... 14

# *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***ADRA*** | *: Ishirahamwe rifasha mw'iterambere* |
| ***ANAGESSA*** | *: Ikigo kijejwe kwegeranya no kubika umwimbu* |
| ***CDP*** | *: Ishirahamwe ryitaho iterambere ry'abanyagihugu* |
| ***CECI*** | *: Umugwi w'igihugu ujejwe gutegura amatora* |
| ***CEPI*** | *: Umugwi w'intara ujejwe gutegura amatora* |
| ***CNDD-FDD*** | *:Inama y'igihugu yo kugwanira demokarasi-Urwego rurwanira demokarasi* |
| ***CNL*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira kwishira no kwizana.* |
| ***CVR*** | *:Umugwi ujejwe ukuri no kurekuriranira* |
| ***DCE*** | *: Umuyobozi w'indero muri komine* |
| ***FARDC*** | *:Abasirikare ba Repuburika ya Demokarasi ya Kongo* |
| ***M23*** | *: Umuhari wo kuwa 23 Ntwranre* |
| ***OBM*** | *: Ikigo kiraba ubutare mu Burundi* |
| ***OBR*** | *: Ikigo kiraba amakori mu Burundi* |
| ***ONG*** | *: Ishirahamwe atari irya Reta* |
| ***ONPRA*** | *: Ikigo c'igihugu rikingira impunzi* |
| ***OPJ*** | *: Inyamira mabi* |
| ***OTB*** | *:Ikigo kijejwe icayi mu Burundi* |
| ***RDC*** | *: Repuburika iharanira demokarasi ya kongo* |
| ***SNR*** | *: Ibiro bijejwe igendereza ry'igihugu* |
| ***TGI*** | *: Sentare nkuru yok u Ntara* |
| ***UPRONA*** | *: Urunani rw'umugambwe Uharanira iterambere ry'igihugu* |

# I. UMWIHWEZO

## I.1. UMWIHWEZO WA POLITIQUE

Mundwi iheze, u Burundi bwababaye ikirimbiro ry'ibikobwa vya politike vyinshi bitandukanye. Kuwa 12 Ndamukiza 2025, umugambwe CNDD-FDD waratunganije ihuriro mu Kinyinya, mu ntara ya Ruyigi, mu ntumbero yo kwerekana ubukomezi muri komine yagutse ya Gisuru. Abanywanyi benshi b' umugambwe « Abagumyabanga » barahuriye ku kibuga ca Komine munyomyi. Igihe c'isaha 11 z'agatondo, ababa mu Kinyinya bavyuwe n'indirimbo z'imisore y'imbonerakure, yari igiye mubikorwa bitandukanye vyo kwinonora imitsimu gitondo. Kuri uwo musi, hari icuka kibi, bivuye kumisore ikizura ku bwinjiriro bw'ikibuga, babaza abo bibaza ko batari kumwe mu mugambwe CNDD-FDD bongera babasaba ibibaranga.Bambaye imyambaro y'amabara y'umugambwe, urwo rwaruka bazungagiza amashami bongera bavuga ivyivugo biteye amakenga nka : « Hongora injavyi,ugutwi kw'impene kwumva kubabuye ». Intumbero yabo yari itomoye : kutarekera ikibanza na kimwe uwundi mugambwe muri komine Kinyinya inyuma y'amatora ya 2025, ibitera amakenga cane ku migambwe itavuga rumwe na Reta.

Imisi mikuru yatangujwe n'urugendo rw'umunezero rw'ikimenyetso,i kinyange, mu kwibuka abarwanyi bahitanywe n'intambara,ikwirikirwa n'abakenyererarugamba, abanyeshure, hamwe n'imbonerakure ziva mu ma zone menshi. Urwo rugendo rwarerekanye CNDD-FDD, uhurikiyemwo inzego zo muntara ya Buhumuza, indongozi z'amadini hamwe n'abandi ,bose bari mumwambaro usa. Naho biri uko, umusi kandi waranzwe kandi n'ivyago bibabaje, harimwo abantu bakomeretse, umwe akeneye kujanwa kwamuganga ningoga hamwe n'uwundi yaciye apfa. Mw'ijambo ryiwe ryo kugurura, Lubin Ntamavyariro, umunyamabanga wa komine Gisuru, umugenzi, yarashize imbere utwigoro twa CNDD-FDD kugira kugira iryo yerekanwa ry'inguvu riryohe. Gerard barutwanayo, umunyamabanga w'umugambwe ku rwego rw'intara, yaharaniye guteza imbere imico y'amahoro nogushira hamwe mugihe amatora ya 2025 yegereje. Kurundi ruhande, shabani Nimubona, uwuserukira umuhari w'urwaruka, yategetse imbonerakure gutsimbataza umutekano muri kino gihe c'imbere y'amatora.Muri ivyo birori, urwego rw'intara rwaratanze ibifungurwa ku bagwayi b oku bitaro vya kinyinya.

Bukeye bwaho, kuwa 13 Ndamukiza 2025, ibihuha vyara vyarazungurutse mu Cendajuru bivuga gutanga akazi ko gutanga amakarata ku bazotora. Ico caratumye abanywanyi b'imigambwe itavugarumwe na Reta bibaza ibibazo ku kudahengama k'umugwi w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, bituma bawagiriza guhengamira kuri CNDD-FDD mu ngendo y'amatora. Ubwa mbere,kuwa 8Ndamukiza, CNDD-FDD yari yagiza inama yo guhimiriza mu Camazi mu ntumbero yo gukomeza inzego imbere y'amatora. Iyindi mibonano yarabandanije kuwa 10 Ndamukiza ,itera intege abanywanyi kwiyemeza rwose no kumvisha abanyagihugu gutora umugambwe aho gutora abakeba. Kuwa 11 Ndamukiza, umugwi ujejwe ukuri n'ukurekuriranira warerekanye urutonde rw'abantu 969 bahuye n'amabi muri kahise i Nyabitsinda, bigakomeza ibihuha va politike muri iki gihe c'amatora.Vyongeye,Brigitte, uwuserukira CNDD-FDD, yarahohoteye abakenyezi b'umugwi wo kuziganya,abaremera ngo binjire umugambwe wiwe kugira ntibicwe.

Mumpera, amanama yomu kinyeroy yaravuzwe kuwa 7 Ndamukiza, muri yo abanywanyi ba CNDD-FDD bahariri ye ku mikenyuro yo gugukwirikirana abatitaba ibikorwa vy'umugambwe bongera baraba abakwiragiza amakuru.Ivyo vyose bifatiwe hamwe birerekana icuka ca politike giteye ubwona mugihe amatora yimirije, kirangwa n'iterabwoba hamwe n'imikenyuro yagenewe gukomeza ukwiganza kwa CNDD-FDD.

## *I.2. UMWIHWEZO KU BANTU N'UBUNTU « Ugufatanamunda»*

Inkuru yo kuwa 7 Ndamukiza 2025, yashikiriye umuhari Iteka, ivuga ku rupfu rw'abana 8 badashitsa imyaka 5 b'impunzi zo muri Kongo ziri mu buhungiro i Musenyi,muri komine Giharo,intara ya Rutana,mu kiringo c'indwi 2, kubera kubura imfungurwa bikabije. Amakuru y'abahaba bavuga ko bapfuye kubwo ingwara ziva kugufungura nabi, zitumwa no kubura imfungurwa za nkenerwa, nk'izirimwo ivunyunyu ndemamubiri, sanganya ngaburo na ntanga nguvu,bikenerwa mw'iterambere ry'abana.Abana benshi bafise iyo ngorane yo gufungura nabi bituma ingwara nyinshi zibakarira, bagahura n'ibihuhusi bikaze, kubera batagira ubwugamo bwikwije. Kurubwo rero, ingwara zo guhema canw cane zarahiziziye, canacane mu nzoya.

Kuvyerekeye imfashanyo,inkuru yo kuwa 11 Ndamukiza 2025ivuga ko,imbere y'igwirirana ry'impunzi ry'abava muri kongo ribandanya bahunga indyane zigumaho mu buseruko bwa kongo, zihuza umuhari M23 n'igisirikare cakongo gifashwa  n'ingabo z'Uburundi,hamwe n'akagwi ko hagati mu gihugu Wazalendo, amashirahamwe ategamiye Reta barashizeho ningoga ubufasha bwihuta kur kirindiro impunzi zashikiyeko i Cishembe na Cibitoke, muntara ya Cibitoke.Kubwo abatanga ubufasha bari ko barabikora, iryo himiriza  ryaratezuriye bimwe biboneka ku mpunzi amajana ziheruka gushika muri ayo ma zone yarose imfashanyo ikenewe kuwa 6 no kuwa7 Ndamukiza 2025. Imfashanyo zatanzwe harimwo ibifungu vyankenerwa, ibikoresho vyo munzu hamwe n'ibisaswa, vyatanzwe n'amashirahamwe nka Tearfund,Help channel, ishengero ya Anglicane na ADRA Burundi.

Elias Sibomana, umuhuza bikorwa muri ADRA Burundi,yarerekanye ko ivyo impunzi zikenera bisumba cane infashanyo ziriho ubu. Yarateye akamo kihuta kuyandi mashirahamwe n'abandi bagiraneza  kugira biyemeze muntumbero yo gushigikirana bongere baduze uburyo bwo gufasha.

Kurundi ruhande,uwa ONPRA yarashimye infashanyo ngirakamaro itangwa n'amashirahamwe atari aya Reta, isahiriza kutwigoro twari twaragizwe na reta y' Uburundi muntumbero yo kwishura kuri ubwo bukene bwugarije abantu.  Yaranatumiriye abandi bagiraneza gukomeza ico biyemeje kugira bagire icobagize kuri izo ngorane, zifise agaciro yose hamwe mugice cambere c'imfashanyo aharugwa mu ma miriyini 356 y'amarundi, bisigura ugufashanya kuboneka ku bihumbi vy'abantu bahunz bagana ivyo birindiro.

## *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

Ishusho y'intwaro mu Burundi, muri iyindwi iheze,yaranzwe n'ibintu vyinshi bikomeye. Abakozi ba Reta 3 harimwo umurongozi w'i komine barahagaritswe muri komine Vyanda ,iri mu ntara ya Bururi. Kuwa 10 Ndamukiza 2025, Musitanteri w'iyo komine, Alexis Nshimirimana, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD ku mutumba Kirungu, yarahagaritswe aca arungikwa mw'ibohero rikuru rya Mpimba. Yagirizwa kunyuruza itoni 13 z'ibigori, ziharurwa mu miriyoni25, vyari vatororokanijwe n'ikigo c'igihugu kijejwe kwegeranya umwimbu w'ibifungurwa muri ako karere. Kubwo amakuru ava mu butungane,uwo Musitanteri yahagaritswe kw'itegeko ryo mu gwego rwo kugwanya ibiturire.Abandi bantu 2, Augustin Hatungimana na Oreste Nohabonayo, nabonyene barimwo muri iryo nyuruzwa kandi bakaba abanywanyi bumugambwe umwe, nabo nyene bari  bafashwe mukwezi guheze.Hatungimana yariajejwe ububiko bwa ANAGESA mu gitsiro,na Nzohabonayo yagendura itororokanya ry'ibigori.Bose uko ari babiri bari bapfungiwe mw'ibohero ry' i Bururi imbere y'uko  bungururizwa ku Mpimba kuwa 10 Ndamukiza 2025. Iryo nyuruzwa ryabaye mugihe ibiciro vy' ibifungugwa vyankenerwa, canecane ibigori,kirumara mu miryango myinshi.Kubera iryo duzwa, Buramatari w'i ntara yari yategetse abarimyi ku gurisha umwimbu wabo muri ANAGESA kugirango bigurishwe ku biciro bigendeka,mu ntumberoyo guhagarika iryo duga.Amatohoza aguma yuguruye kugira habe umuco muri ivyo ,uwagirwa n'icaha aboneke.

Ku rundi ruhande,habangabanganwa n'ivyo urubanza rw'itonga mu ntara ya Kayanza.Kubwo inkuru yashikiriye umuhari iteka kuwa 11 Ndamukiza 2025, sentare nkuru yo mukayanza yaciriye , kuwa 10 Ndamukiza 2025, urubanza rwo gupfungwa umunyororo w'imyaka ibiri n'igice, Bigirimana Victor, avuka ku musozi Mugongo. Yafashwe n'umugwi ujejwe umutekano mu gacimbiri Kotsi, yagirizwa unusuma n'urudandazwa rutemewe n'amategeko rw'amagarama 600 y'ubutare bwo mubwoko bwa colombo

tentalite bwibwe ishirahamwe ricukura ubutare, CDP, ku mutumba kivuvu. Ico caha cakozwe mw'ijoro ry'uwa 28 Ntwarante 2025.Ku wa 5 Ndamukiza 2025, Musitanteri wa komine Kabarore, Berchimas Nsaguye, arikumwe na komiseri w'igipolisi Nahayo Eric, yaragize urugendo ku mitumba ihana imbibe n'u Rwanda kugira bagwanye urudandazwa rutemewe n'amategeko bw'ubutare,ikawa,ibigori n'ibindi bidandazwa. Muri urwo rugendo,baraburiye abanyagihugu ko uwuzofatanwa urwo rudandazwa azoronka ibihano bihambaye harimwo n'ico gupfa.

Kuwa 10 Ndamukiza 2025, sentare nkuru yo mu Kayanza ,itwagwa na Havyarimana Francois, yaciye nyinshi zo gufatanwa itonga. Abapfungwa 3Manariyo Evariste alias Nzovu, Nzohabonimana Didace alias Gasongo, na Minani Pascal, baragirijwe kugurisha bitemewe n'amategeko ubutare no konona ubutunzi bw'igihugu. Isaka ryagizwe n'igipolisi i Kabarore mw'ijoro ryo kuwa 31 Ntwarante 2025 ryerekanye kwa Didace ubutare butari buke, harimwo ibiro 108 vya amethyste hamwe n'ibindi. Vyongeye, ubundi butare bwaratowe mu bubiko bwa Didace. Minani Pascal yagirijwe kugira uruhara inyuma yaho basangiye impfunguruzo z'ububiko bwa Didace ariwe azifise. Inyuma y'umwiherero, Minani yarejejwe, mu guhe Nzovu na Gasongo baciriwe imyaka 5 yo gupfungwa hamwe n'amagarama y'imiriyoni 10 z'amahera y'amarundi. Ubutare bwafashwe bwasubijwe muri OBM.

Mu gusozera,ikindi kibazo tutokwiyobagiza cadutse cerekeye CEPBU, urunani rugizwe n'amasengero 15 yaho,acuditse n'ishira mungiro ry'ishirwa mungiro ry'itegeko rishasha ku madini.Amadini amwe yaragerageje kuganza kuyandi n'aho bisanzwe bizwi ubwigenge bukenewe kuva idini rikivuka.Itegeko ryo muri Nyakanga 2022 ryategekenya ikiringo c'imyaka 2 kugira idini ryemererwe.Ariko insiguro n'ishirwa mu ngiro y'itegeko muri CEPBU vyarahindutse,bica bitera icuka kibi.Amasengero 10 yasavye amategeko mashasha kugira bashireho itunganywa riri kumurongo,icanemejwe n'ubushikiranganji bikukirira,gutyo bagasabikanya intwaro. Naho biri uko, ayo masengero 5 atarimwo mw'iryo tunganywa rishasha yaragwanije iyo ngingo, ataka umukuru w'igihugu c'u Burundi aca afuta ingingo y'umushikiranganji.Umushikiranganji Martin Ninteretse vyabaye ngombwa ko agaruka kungingo yafashe igihe hashigwaho CEPBU, yategerezwa kwemerere amasengero ubwigenge mubutandukane bwayo. Umuhari iteka warashimye iyo ngingo y'umukuru w'igihugu c'Uburundi ugasaba ko yogira gutyo no muzindi ngingo nk'izo zafashwe n'umushikiranganji.

### *I.4. UMWIHWEZO KUGATEKA KA ZINA MUNTU*

Mu Burundi, ku vyerekeye agateka ka zina muntu muri kinogihe caranzwe n'itumwako ryo gutanga akazi ryakozwe n'Inama nshingamateka y'uburundi. Iyo nayo ikaba igamije ingendo yo gusubiriza abagize umugwi w'igihugu wigenga w'agateka ka zina muntu mu Burundi, urwego rukomeye mugukingira agateka y'abanyagihugu. Mw'itangazo ryashizwe ahabona, umukuru w'inama nshingamateka ashimikiye kubihushane avuga ko vyagaragaye mw'igendura ryabahinga bakoze mukwihweza itunganywa n'ibikorwa muri urwo rwego ryaranze n'ibihushane n'ukudakurikiza neza ametegeko arugenga, abona gutyo gufatira kwizomvo kugirango abagizi uwo Murwi basubirizwe.Urwo rwego rwashizweho muri 2011 kugira rukomeze akazi karwo muguhagararira agateka k'abantu mu Burundi, rwabaye ngirakamaro mu guhagararira agateka kazina muntu.Wari waronse ubwahuro muri Mukakaro 2012 ubuhawe n'urwego mpuzamakungu ruraba inzego z'ibihugu zegwa n'agateka ka zina muntu kandi rwari rwashoboye kuronka icicaro A muri Nzero 2013,vyerekana ko ruterera mu ntwaro rusangi.

Arikorero, ibihe bibi vyaranze uburundi muri Politike kuva mu mwaka w'i 2015 vyarononeye uwo mugwi, bituma ushigwa mu cicaro B kuwa 26 Nzero 2018, gihabwa inzego z 'ibihugu zitakurikije neza amasezerano Mpuzamakungu y'i Paris mu bufaransa. Iyo tegeko yaragumijweho gushika ku wa 26 Ruheshi 2021, umusi hari hategekanijwe isuzuma rishasha bagasubira mu cicaro A. Urwego CNIDH rwasubiriye gusuzumwa muri Rusama 2024, igihe haba inama igira 43 ya GANHRI, bisabwe n'amashirahamwe yo mu Burundi aharanira agateka ka zina muntu, hamwe n'ayomashirahamwe mpuzamakungu bafashanya. Ivyo vyo gusubira gusuzuma biheze, umunyamabanga w'urunani mpuzamakungu rw'inzego z'ibihugu ziharanira agateka ka zina muntu (GANHRI), inyuma y'icegeranyo c'inama ya 45 y'umugwi nshingwa bikorwa « SCA », ihejeje gusuzuma yafashe ingingo yo kugumiza CNIDH mu cicaro cayo A.

Muri uno mwaka,ingorane zaravutse hagati muriryo hagati zaribonekeje zituma haba ukutumvikana ku bibazo bikenewe bijanye n'ugutwara hamwe nitunganywa ry'ibikorwa bifatiye kukakaranga mutima.

Mu ntumbero yogutora ibibazo vy'izo ngorane, umukuru w 'inama nshingamateka yarandikiwe ikete n'umugwi w'abarongozi 3 ku wa 2 Ntwarante asabwa kunyarutsa vuba bwango guhagariko ivyo bibazo mu kunagura CNIDH, kubwabo ingorane umurwi CNIDH uriko uracamwo mwitunganywa ry'intwaro haciye imyaka 2. Bagiriyako basaba uwuyirongoye ko yotanga imihoho,hakaba n'isesangura ryimbitse ku butunzi bw' ishirahamwe, bigamije gukoresha muco n'umwitwarariko mugukoresha ubutunzi.

Mu kwishura kuri iyo myitwarariko, inama Nshingamateka yasohoye itangazo kuwa 11 Ndamukiza 2025, ritumako abipfuza kuba muri urwo rwego bashasha,itangazo ridatomora neza ivy'icaro, bikagaragara ko ari abagize uyo murwi bose. Iryo tangazo riramenyesha kandi itohoza ku bibazo vy'uko CNIDH itunganije, dukwirikije uturongo two mw' ibwirizwa nomero 1/01 ryo kuwa 5 Nzero 2011, riraba ishirwaho ryayo n'amabanga ijejwe.

### *I.5. ISHUSHO Y'UMUTEKANO*

Umwihwezo w'ishusho y'umutekano mu Burundi muri ino ndwi iheze werekana ibintu vyinshi bifise insiguro. Ubwa mbere, kugira imbonerakure abasirikare muri komine n'intara ya Muyinga. Kuwa 10 Ndamukiza 2025, igihe c'urugendo rw'icegera c'umunyamabanga mukuru w'umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD,i Muyinga,imbonerakure zagize amakizura yazanye ibikorwa vy'iterabwoba kubarengana. Kubwo amakuru twaronse, abo bantu, barongowe na Shabani Nimubona, bari bambaye umwambaro w'igipolisi wirabura, bambaye ibirato vy,igisoda, bafise ibikoresho vyo gutumatumanako amakuru vo mubwoko bwa Motorora,amarori atabonerana hamwe n'indabirakure.Harimwo, Shabani wenyene yambaye umwambaro w'igisirikare.Ayo makuru avuga ko imbonerakure , zifise inkoho, zazunguruka mu modoka yo mubwoko bwa Hilux ,harimwo 2 bari mu bagendanira Shabani Nimubona,bagenda baratera ubwoba abantu bahari kugira babone kuhava. Ikindi kintu cabaye kuwa 13 Ndamukiza 2025, ku mutumba Buhiga, intara ya Karuzi, aho isengero AMEC Burundi (African Methodist Church) yugawe. Kuri uwo musi,hari ibirori vyo kwerekana no gushikiriza RYARAMBABAJE Evariste umurongozi wayo mushasha,avuka mu ntara ya Makamba, yaje gusubirira uwakera Nduwimana Belly, yatanguje iryo Shengero muri ako karere. Kubwo abo babibonye, mugihe uwuhagarariye imbere y'amategeko i Gitega yinjiye n'uwundi mushasha, abayoboke babiteye akagere mu kuva mw'isengero baja gukoranira hanze.Aba pasitori bashavujwe n'ivyo, barondeye i gipolisi n' uwutwara zone, nabo babimenyesha Buramatari.Nawe yaciye atanga itegeko ryo kugara gose abayoboke barataha muhira.

Kuvyerekeye ibindi bijanye n'umutekano, kuwa 8 Ndamukiza 2025, ikintu giteye ubwoba carabaye muri karatiye Giswahili, muri komine n'intara ya Muyinga, aho umwana yapfuye ahitanywe n'umuriro.Ababibonye bavuga ko uwo mwana yari afise umuvyeyi ariwe se wiwe yakora urudandazwa rw'igitoro co mu bwoko bwa esansi mu macupa. Kubera iryo bara,abanyagihugu basaba intwaro n'igipolisi ko bofata ingingo zo gutuza urwo rudandazwa rutemewe n'amategeko bongere bakingire abanyagihugu.

## *II.UBURENGANZIRA BW 'ABANYAGIHUGU NO MURI POLITIKE*

### *II.1. UBURENGANZIRA BWO KUBAHO*

#### *II.1.1. Ibiziga vyatowe*

**Ikiziga catowe murikomine Bweru intara ya Ruyigi**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa11*N*damukiza 2025 ivuga ko kuwa 9 Ntwarante 2025, ku gacimbiri Murambi,umutumba Mibanga, komine Bweru, intara ya Ruyigi,ikiziga caciwe izosi kandi caboze c'uwitwa Jean Bosco,yubatse, caratowe mu ruzi Gisenyi, rutandukanya ikirindiro c'impunzi z'i Nyankanda n' imitumba ya Kanisha na Nkanda, zo muri zone Kayongozi.

Kubwo umukenyezi wiwe, kuwa 1 Ntwarante 2025, umusi wo kubugwa irengero, yagiye mu gatondo yambaye ikabutura n'agapira. Umugore wiwe, yari yahejeje gutegura akayi yaramuhamagaye ngo akamuhe aranka, yishura asohoka ko aja kugaruka kukanywa mu mwanya muto ,ariko ntiyagarutse.

**Ikiziga c'umugore w'umunywanyi w'umugambwe CNL, catowe muri komine Gisuru, intara ya Ruyigi**

Ku wa 12 Ndamukiza 2015, mu gatondo, ikiziga ca Rosette Ndikumwenayo,afise imyaka 42, yubatse akaba na nyina w'abana 5, umunywanyi wa CNL, avuka ku mutumba Kinama, zone Gisuru, Komine Gisuru,intara ya Ruyigi, yatowe n'abahita ku nkengera y'uruzi Rumpungwe. Kubwo amakuru dukurayo, uwo yari mu mugwi uvyina w'umugambwe.Yari yavuye muhira mu gatondo ko kuwa 11 Ndamukiza 2025, agiye mu bikorwa vyo mumirima hanyuma ntiyagaruka.Uburongozi mw'i Komine bufatanije n'umuryango bwaramuhambishije. Uwo muhisi yari afise inkovu mumuhogo nk'uko yoba yaranizwe. Abikekwa ko icaha be n'ico bamwiciye nti biramenyekana ariko mu ntwaro bavuga ko amatohoza yatanguye.

**kiziga c'umunywanyi w'umugambwe CNL,catowe muri komine Mutumba,intara ya Karuzi**

Kuw'10 Ndamukiza 2025, ku mutumba Kasera,zone Gisimbawaga, komine Mutumba,intara ya Karuzi, ikiziga ca Habimana Marinus, afise imyaka 49, aba ku mutumba Mutara, umunywanyi w'umugambwe CNL ibaba rya Nestor pro-CNDD-FDD yaratowe. Kubw'ivyabona, uwo yishwe yicishijwe n'imipanga yicwa n'abantu bataramenyekana.Kubwo abahishikiye, umutego waratezwe uwo muhisi asubiye muhira agomba ashike ku gatumba abako muri iyo zone na komine nyene. Kubwo ivyo vyabona nyene, ikiziga ciwe cari gifise inguma u ku mutwe no kw'izosi.Uwo muhisi yatangurira urutonde rw'abitoza mu bajenama ba komine mu mugambwe wiwe CNL. Igipolisi co muri iyo komime kivuga kokija caratanguye amatohoza kandi gushika kuwa 13Ndamukiza 2025. ntanumwe arafatwa .

**Ikiziga catowe muri komine ntahangwa, Bujumbura**

Kuwa 10 **Nd**amukiza 2025, mu gatondo,ikiziga c'umugabo ataramenyekana caratowe kireremba ku mazi y'uruzi Ntahangwa, mw'ihwaniro rya zone Buyenzi na zone Ngagara,ku barabara rya 24 rya zone Buyenzi, muri komine Mukaza, intara ya Bujumbura. Abapolisi bo mubakingira ibidukikije ,bafashijwe n'uwo mu gipolisi c'inyamiramabi wo muri zone Buyenzi, baciye bihuta gutora ikiziga.

Kuvyo ababa mu Buyenzi bavuga,ico kiziga catangiriwe n'igiti mugihe cati gitwawe kija mu kiyaga Tanganyika giciye mu ruzi Ntahangwa. Ayo makuru nyene yemeza ko ikiziga coba catawe mu ruzi kuva mw'ijoro ryo kuwa 9-10 Ndamukiza 2025.

Abantu bo muri zone Buyenzi barerekanye agashavu karekare imbere y'abapolisi babankiye ko begera kugira barabe ko bomenya ico kiziga bongere barabe ko atari azwi muri ako karere. Ikiziga kandi caratowe n'abapolisi b'inyamiramabi bo murizone Ngagara,barongowe n' inyamiramabi Nkengurukiyimana Isidonie, kugira bagire amatohoza.

Kubw'abo nyene, Gilbert Manirakiza, musitanteri wa komine Rugombo, yanyarukanye akagwi k'Imbonerakure karaba umutekano waho karanabuza abahaba kwegera. Ako kagwi katwaye ibiziga mubumwanyi baca batera baja kw'i komine.Aho bagiye n'ico bakoresheje ibiziga ntikiramenyekana kubw'abo babibonye.

**Ibiziga bibiri vyambaye umwambaro wa gisirikare vyaratowe muri Komine Rugombo,intara ya Cibitoke.**

Kuwa 10 Ndamukiza 2025,hafi igihe c'isaha 9,muri komine Rugombo,intara ya Cibitoke, ibiziga 2 vy'abagabo bitamenyekanye, bambaye umwambaro w'igisirikare c'u Burundi kandi batekeye mu kamwanyi, baratowe baboze cane kurya 11,ku mutumba Rusiga, uri nko ku birometero 4 vyo kumurwa mukuru w'intara ya Cibitoke.Iryo torwa rizana amahinyu ateye amakenga,`bamwe bavuga ko zoba ari Imbonerakure zishwe zivuye kugwanira mu buseruko bwa Kongo.Kubera amakenga abandanya,abanyagihugu hamwe n'abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi basaba bashimitse amatohoza

yimbitse.

Ibora rya cane ryerekana ko ivyo biziga vyabaye aho hantu imisi myinshi.Kubona abapfuye bambaye umwambaro wa gisirikare w'u Burundi, vyongereza agahinda karengeje.Uwutwara igipolisi muri komine Rugombo yaremeje itorwa ry'ivyo biziga bibiri. Yamenyesheje ko, mu ngingo itemewe na bose, ivyo biziga vyaciye bihambwa ubwonyene mu kaburi ko mu Cibitoke, hatabaye igipimo co kuraba icabishe canke ngo bace mu buruhukiro.Iyo ngingo,isiguwe yo gushaka gukingira amagara y'abantu,izana ibibazo vyinshi ku cipfuzo co kumenya abo bapfuye n'umuco kukuntu bapfuye.

Mugihe ivyerekeye izompfu bigumamwo igipfungu, abasaba ko hoba itohoza ryigenga kandi ririmwo umuco baguma bagwira.Imiryango, urwaruka rwo mumugambwe uri ku butegetsi n'abantu benshi baba muri ako karere barashimika ko ukuri kose komenyekana kuri urwo rupfu ruta agapfungu k'amakenga ku ruhara rw'u Burundi mu ndyane zo mu buseruko bwa Kongo n'agahembo kategekanirijwe abasirikare babwo.

### *II.1.2. INYURUZWA N'IBURWA IRENGERO*

**Umunywanyi w'umugambwe CNL yanyurujwe muri Komine Mukaza**

Kuwa 7Ndamukiza 2025, hafi isaha6, Potien Ndayikeje, afise imyaka 38, avuka mu ntara ya Rutana akaba azwi neza nk'umunywanyi w'umugambwe CNL ayoboka Rwasa, afise imyaka muri karatiye Buyenzi,yarahagaritswe n'aba polisi ku barabara rya 17 muri komine Mukaza, mu gisagara ca Bujumbura.

Iryo hagarikwa ribaye inyuma yaho abapolisi boba bararashe hejuru kugira batere ubwob umuryango wiwe n'ababa hafi yiwe. Kubwo ababibonye hamwe n'abamwegereye,abapolisi 2 batembera mumodoka ifise ibiyo bisize boba baraturubitse Ndayikeje imbere yo kumwuriza imodoka yabo kunguvu.

Umuryango n'abagenzi ba Ndayikeje baravuga amakenga yabo,batomora koihagarikwa ryiwe ryabereye muhira ata mutahe.Ntibarigera batahura ivyatumye ahagarikwa canke aho yoba apfungiwe gushika ubu,kurondera mu mabohero menshi yo mugisagara ca Bujumbura vyababereye impfagusa.

Nk'umunywanyi abushitse w'umugambwe CNL iyoboka Rwasa muri karatiye Buyenzi yo muri komine Mukaza, i Bujumbura, ihagarikwa rya Potien Ndayikeje rizana ibibazokuvyerekeye uburyo yafashwemwo n'ikwirikizwa ry'amategeko.

## *II.2. UKUBAHIRIZWA KU MUBIRI NO MU MUTWE*

### *II.2.1. Kuborezwa igufa, gucurwa bufuni na buhoro, guturubikwa*

**Umugore yakubiswe muri komine Rutegama intara ya Muramvya**

Kuwa 10 Ndamukiza 2025,hafi isaha 3 zo mw'ijoro, ku mutumba Munyinya muri komine ya Rutegama, intara ya Muramvya,Iradukunda Joella, umurimyi afise imyaka 21, yaraturubitsw n'umugabo wiwe Manirakiza Fabrice, afise imyaka 24, nawe nyene w'umurimyi akaba n'umunywanyi w' Imbonerakure.K ubwo ababibonye,uwo yagirizwa icaha yatashe yaborewe.Umugore amwugururiye umwango ,yaciye amutarukirako.afise imbugita yo mu gikoni.Yaramuzibuye n'ukuboko k'i buryo,kwizosi no kw ;ibere ry 'iburyo, hanyuma amukubita mumaso akoresheje icupa ry'ikiyeri rigaragara.

Kubwo abo babibonye nyene, uwo mugore yaciye ata ubwenge ahejeje kuroha bigahamagara ababanyi. Abo babanyi baciye bamunyarukana ku bitaro vyo Mukibimba, birihafi,mugihe uwagirizwa icaha wenyene yijanye kuri polisi mu Rutegama mwijoro. Muri kino gihe, ari mw'ibohero ku gipolisi mu Rutegama,aho yabajijwe n'inyamiramabi Havyarimana Juvent.Kubwo amakuru tuvana mu gipolisi, yaravyemanze, akemera ko yabikoze kuberayabitumwe n'utuyoga. Bari bubatse muri Kigarama 2024.

**Umuntu yakubiswe muri Komine Giheta intara ya Gitega**

Kuwa 1Ndamukiza 2025, hafi igihe c'isaha 1 y'ijoro,ku mutumba Gisuru, muri zone Giheta, intara ya Gitega,umusore yitwa Niyonkuru Elyse yaracitse kw'icumu. Kubwo ababibonye, vyose vyatanguye igihe Nijimbere Salvator na Niragira Dismas, bakuru b'uwagize ingorane, bashika bafise amasuka n'imihoro kwa nyina wabo Katihabwa Cesalie, bamubwira ko apfa hamwe yokwanka kugurisha ikivi yarose

iruhande y'itongo ry'umuryango. Elyse yaciye atangura kugabisha ababanyi,hama nyina yikika mukiza arahunga aciye mu mwango w'inyuma.

Abo babibonye nyene bavugako bakibona nyina ahunze ,baraturubitse Elysee, baramukubitabuyoka bongera bamukomeretsa n'imipanga n'amasuka,umubiri wose, nko mu gikiriza.Muri uwo mwanya,ababanyi n'umukuru w'umutumba, Birushe Cyriaque, barahashitse kugira babanguranye biba impfagusa, kubera Niyonsaba Georgette na Ngendakuriyo Nadine,abagore ba Salvator na Dismas, nabonyene barakubaguye bongera barakomeretsa umukuru w'umutumba. Hafi igihe c'isaha 2 zo mwijoro i gipolisi carashitse ahabereye ibara,barafata abarikoze hamwe n'abagore babo,babatwara ku kirindiro kuri komine Giheta.

Uwagize ingorane yajanywe kw'ivuriro Saint Joseph yo mu Giheta,aho amerewe nabi gushika iki gihe kubera atagira uburyo ngo arungikwe i Bujumbura.Abo bagore2 bararekuwe bamaze kuriha amagarama ya 200000 umwumwe. Ikibazo kiri mu minwe y'inyamiramabi Benoit akorera kuri Komine Giheta.

### *II.2.2. Ihohoterwa rishingiye ku gitsina*

**Umwigeme yafashwe ku nguvu muri Komine Nyanza-lac, intara ya Makamba**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 10 Ndamukiza 2025 ivuga ko kuwa 21 Ntwarante 2025, C., agakobwa k'imyaka 9 karafashwe ku nguvu na Richard, umusore w'imbonerakure,umubanyi wiwe wo kumutumba Buheka muri kominr Nyanza-lac, intara ya Makamba. Kubwo ababanyi,kuva ico gihe uwo mwana muto afise se agendana ubumuga bwo mumutwe ntiyavuwe kandi muri iki gihe agwaye ingwara zo mubihimba vy'ironduka akongerera akajojota mu gitsina. Abaserukira intwaro kumutumba boba barateye ubwoba umuryango,bawutegeka ko woreka kuvuga uwo muntu ari umunywanyi w'umuhari w'urwaruka Imbonerakure zo ku gacimbiri Muramvya,komine Nyanza-lac, intara ya Makamba. Abadomwako urutoke ni umukuru w'agacimbiri Maramvya yitwa Niyukuri n'umukuru w'agatumba Buheka, Celestin Bukuru.Naho ababanyi babigiyemwo,uwikekwako icaha ntangorane vyamuteye ariko munyuma yoba yarakinjuye aburiwe n'abatware. Nyina wiwe w'umworo ruhebwa aguma arira igihe cose ababanyi bamubajije ivy'uyo mwana.Ubuhinga kavukire bwoba bwarakureshejwe mu kuvura uwo mwana.

**Umwigeme yafashwe kunguvu muri komine n'intara ya Rumonge**

Kuwa 12 Ndamukiza 2025, muri karatiye Giswahili mu gisagara ca Rumonge hafi igihe c'isaha 4 z'umuhingamo, G.N,afise imyaka 16, umunyeshure wo mu mwaka w'9 yarafashwe kunguvu na Innocent Sabushimike amutera ubwoba ko yomwica. Kubwo ababanyi, uwikekwa ko icaha ni umusore w' Imbonerakure y'umugambwe CNDD-FDD.Yatwaye ako gakobwa munzu iwe atanguye kumutera ubwoba ko amwica hamwe yokoma induru ariko umwana yaraboroze atabaza igihe vyaba.Ababanyi baraje hama uwo musore arafatwa.Yapfungiwe mw,ibohero ryo mugipolisi mu ntara ya Rumonge. Uwagize ingoranenawe yatwawe mu kigo humura i Mutambara aho bamugumije kugira aronke ubufasha ku miti no kukiyago kiremesha.

**Akigeme kiga amashure y'intango kafashwe ku nguvu muri Komine n'intara ya Rumonge**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 13 Ndamukiza 2025 ivuga ko kuwa 28 Ruhuhuma 2025, ku mutumba Kizuka, komine n'intara ya Rumonge,C.I, afise imyaka 17, yiga kw'ishure shingiro Nyamibu,yarafashwe kunguvu na Bikorimana Arsene, afise imyaka 22, umurovyi. Arsene yahuye n'uwo mukobwa mw'ishamba igihe yari agiye kurondera inkwi.Kubera bari bazinanyi, Arsene yari yamuteye ubwoba ngo ntavuge nakimwe kuko yoca amwica. Nico catumye umukobwa amena iryo banga atevye,kuwa 9 Ndamukiza 2025 afise imbanyi atipfuza y'ukwezi.

Uwikekwako icaha,atanabihakana, yarapfungiwe mw'ibohero ry'igipolisi mu Rumonge.Uwakorewe icaha yatwawe mu kigo Humura hanyuma ku bitaro bikuru vyo mu Rumonge kugira avurwe.

### *II.2.3. Ayandi ma hohoterwa*

**Umukenyezi yakomerekejwe muri komine Mpanda,intara ya Bubanza**

Mwijoro ryo kuwa 11 Ndamukiza 2025, kumutumba Murengeza, zone Musenyi, Komine Mpanda, intara Bubanza, Estella Ndayikeza yarakomerekejwe akubiswe umupanga n'umugabo wiwe yitwa Deogratias Ndayisenga. Kubwoababibonye bahegereye,uyo mugore yagirizwa n'umugabo wiwe ko amugaburira ate-vye.Kubwo abo nyene babibonye, uwatemwe bamujanye ku bitaro bikuru vy oku Mpanda kugira avugwe nayo uwagirizwa icaha ari muminwe y'inyamiramabi kugira abazwe.

**Umukenyezi yakubiswe muri komine Tangara, intara ya Ngozi**

Mwijoro ryo kuwa 6-7 Ndamukiza2025, kumusozi Kigomero, komine Tangara, intara ya Ngozi, Nabigo Roselyne, afise imyaka25 yarakubiswe n'umugabo wiwe Ndimurwanko Elias, afise imyaka 32 bivuye kutumvikana. Kubwo ababibonye bari bahari, Elias yatashe yaborewe aca yagirisa umugore wiwe Nabi-go Roselyne kutamwubaha n'ubuhumbu. Bukeye uwakubiswe yaragiye ku bitaro bikuru vy'imusenyi kwivuza hanyuma uwa muhohoteye yarahagaritswe aca apfungirwa mw'ibohero rya polisi i Musenyi.

## *II.3. UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA*

### *II.3.1. Abantu bahagaritswe bitemewe n'amategeko*

**Ipfungwa ridakurikije amategeko ry'umunywanyi wa CNL Bujumbura**

Kuwa 7 Ndamukiza 2025, hafi igihe c'isaha 9, Edouard Nzambimana, aba muri karatiye Musama3, zone Kanyosha, muri komine Muha,umunywanyi w'inararibonye w'umugambwe CNL ya Rwasa. Yarafashwe mugihe yarikoyikorera ibikorwa vy'iwe vya misiyosi kuri galerie Iriho. Ivyo vyabereye imbere y'inyubakwa zikoreramwo Star Times,hafi y'aho bakunda kwita kuri « velo Moto ».

Kubwo ababibonye, Nzambimana Edouard yafashwe n'abakozi b'igendereza bambaye umwambaro w'igipolisi. Imbere yo gutwarwa igikubikubi mu modoka y'ibiyo bisize, imparati E O462A, yarakubiswe aranafatwa nabi. Yaciye ajanwa gupfungirwa mw' igendereza,riri iruhande ya Cathedrale Regina Mundii, i Bujumbura.

Umuryango uri mumubabaro munini,kutamenya aho apfungiwe haciye imisi myinshi,kandi bararondeye mu mabohero atandukanye.Babuze  inkuru kuvyerekeye imvo zatumye afatwa, umuryango wumva aga-hinda ku bijanye n'umutekano wiwe.Usaba ko,ni haba hari ivyo yagirizwa,Eduard Nzambimana  yoshir-wa mu butungane bubijejwe,hakwirikijwe amategeko.Gushobora kumumenya ahantu hatazwi,bidakunda ko bamubona canke ngo bamenye uko amerewe,bikomeza ubwoba bwo kutazosubira kumubona,mbere no kumenya ko yishwe.

Eduard Nzambimana yari umunyamabanga w'umugambwe CNL uyoboka Rwasa muri komine Mukaza, Bujumbura. Yari kandi umudandaza abangutse,yadandaza impuzu, agakotesha ivyambarwa ku misi mikuru y 'ubugeni n'ubukwe akabikorera mu mangazini yiwe « Gelerie Iriho ».

Haciye imisi myinshi y'amakenga,vyaremejwe ko Eduard Nzambimana yaraye ijoro ryambere mw'ibo-hero rikuru ryo ku Mpimba kuwa 10 Ndamukiza 2025, inyuma yo gupfungirwa mw'igendereza, hafi ya Regina Mundi.

## *III. UBURENGANZIRA MU MIBANO, UBUTUNZI, IMICO KAMA*

### *III.1. IHUNGABANA RY'UBUZIMA MU BUTUNZI*

Ihagarikwa ry'ibikorwa vy'ubutunzi igihe icegera c'umukuru w'umugambwe CNDD-FDD yagira urugendo murikomine n'intara ya Kayanza. Kuwa 3 Ndamujiza 2025, ubudandarizo bwose bwo mu gisagara ca Kayanza, harimwo n'isoko risanzwe, vyagumye vyugaye kuva mu gatondo gushika isaha 6. Igituma nyamukuru c'iryo yugarwa ni urugrndo rwa Leonidas Nzohabonayo,icegera c'umukuru w'umugambwe CNDD-FDD, muri zone ya Murima na Kayanza.Imbonerakure zaracungera igisagara cose kugira babone ko atamudandaza n'umweashobora kugurura imbere y'uko ibirori bihera. Ivyo vyarazanye imibabaro mu badandaza, bibaza ku bushobozi bw' u Burundi muguhinduka igihugu cifashe muri 2040 kandi buteye imbere muri 2060, mugihe igikorwa c'ubutunzi bw'igisagara cose gishobora guhagarikwa n'urugendo rw'umunywanyi w'umugambwe uri ku butegetsi.

**Ukutumvikana hagati y'amashirahamwe abiri ya Reta mu ntara ya Kayanza**

Mu ntara ya Kayanza, haraje bukebuke indyane hagati y'ubuyobozi bw'ihinguriro ry'icayi mu Burundi (OTB) n'Urwego Rutoza Ikori mu Burundi (OBR). Uko kutumvikana kwavutse inyuma y'itegeko rishasha rya OBR, ritegeka ko gupakira imiduga itwara icayi i Mombasa yosuzumwa n'abakozi bayo guhera ubu.Vyongeye, iryo tegeko riherekezwa n'igisabo gisa n'igisangiwe : OTB itegerezwa kuriha amahera imbere angana na 20 y'amadorari kw'isaha, ivyo bikaba igihe cose c'ipakira.Richard Nahayo,uwuserukira OTB i Rwegura, yarashikirije amakenga yiwe kuvyerekeye kutavugana vy'ubuyobozi bukuru bwa OTB kuvyerekeye kuriha ubwo buryo, bitaremezwa.Umwanya waragiye,n'indwi 2 ubu zararangiye ibimodoka vy'icayi cagenewe gushorwa hanze y'igihugu zugaraniwe mw'ihinguriri ry'icayi rya Rwegura. Iryo yugarwa ryarazanye ingorane y'ubushobozi, mugihe uruganda ,mubisanzwe ishobora kubika itoni zitarenga 50, usanga ishitse ku ma toni 10000.Kuri iyo ngorane y'ububiko, Richard aravuga uko bimeze : Igice kimwe kibitswe munzu y'amanama,ikindi aho bakorera amamodoka inyuma y'uruganda, bituma bicika amananiza rwose.Arasemerera yerekana ko vyihuta kukigabanya , kubera atinya ko hogira icayi cononekara, bigatuma batacakira ku masoko yo hanze.Ivyo vyotuma uruganda rutera ruja mu muzimiza mbere no gutembagara burundu.

### *III.2. UBURENGANZIRA KUNDERO*

**Ihungabana mw'itegurwa ry'ibibazo vy'igice ca kabiri mu ntara ya Makamba**

Mu ntara ya Makamba,ikintu kitokwitezwe cahungabanije ubutekereji bwarangwa mu mashule. Mugihe ibibazo vy'igice ca 2 vyari vyimirije,amashure yisanze yahungabanijwe n'itegura ry‘ urugendo rw'umunezero nk'ukwibuka nyakwigendera Pierre Nkurunziza yari yategekanijwe kuba muri Ruheshi. Imisi yose inyuma y'umutaga, imyiteguro y'urugendo yaraba,bigatuma haba akajagari mbere no mu bibazo hagati.Ico caratumye abavyeyi n'abigisha bidoga,babibonamwo kugira ishure igikoresho ca politike,vyonona ishaka ry'abanyeshure hamwe n'iterambere mu bumenyi.Mubwongoshwa abanyeshure baridoga,abanyeshure bamwe batinya ibihano hamwe bosiba urwo rugendo. Abatwara amashure,ku nguvu, baronse amategeko yo gutanga amazina y'abazokwirikirana ivy'urugendo bakanaraba abanyeshure. Naho biri uko,nta tegeko na rimwe ryavuye kumushikiranganji w'indero ribisaba,bigatuma biduza amakenga.Kuri mwene ivyo bintu,abavyeyi n'abigisha baraduza ijwi basaba ko hotandukanya neza ibikorwa vya politike n'ibikikuje ishure. Barahamagarira umushikiranganji kugira ico akoze kugira akingire uburenganzira ntabanduka ariyo ndero yongere abamenyeshe ko umwanya wagenewe ishure utokwigera ujanwa mu bindi nk'ivy'imigambwe. Ibibaraje ishinga igisumba ibindi ni ukuri gusanzwe : inyungu z'umwana zategerezwa kuza imbere y'ibindi vyose.

## *III.3. UBURENGANZIRA BWO KUVURWA*

### Ikena ry‘ amatara muri komine Marangara intara ya Ngozi

Muri komine Marangara, iri mu ntara ya Ngozi,uburenganzira ku magara burabangamiwe cane n' ubukene bw'amatara bumaze umwaka urenga. Abantu bo ku Mitomba yegereye, bivuza ku bitaro vya komine Marangara,bama badurumbanijwe ,kubera imihana irenga 100 iba mukizime. Kubwo amakuru y'abahaba, ibiti vyofashe intsinga z'amatara, biryamitse hasi, mugihe intsinga nkuru ziri hose. Abanyagihugu, barushe n'agacerere k'umwiheburo, barashikiriza imyidogo atanyishu baronka. Goreth Nshimirimana, musitanteri wa komine, aratera akamo, naririya azi ingorane bitera, ishirahamwe ALOBUCO, rijejwe ivyinyubako z'amatara muri ako karere, ryakoresheje ibikoresho bidakomeye, bituma vyononekara hose. Ku mahigwe make, isango abubatsi mugihe bibeshera ku mwanya bobisubiriramwo biratesha ukwizera abanyagihugu.Imanikwa kuri uwo muhora ryari ryatanguwe muri 2019 hama rigahezwa2021, ariko ntiryigeze rishobora korohereza abavukagihugu.

### Icaduka ca Cholera muri komine Buganda, intara ya Cibitoke

Kuwa 11 Ndamukiza2025, inkuru y'umubabaro yashikiriye umuhari Iteka. Komine Buganda,iri mu ntara ya Cibitoke,ikeneye kwihutirwa muvyo amagara. Mu masaha adashika 48, abantu batari musi ya 8 barafatwa na Cholera, hafashwe abarwayi muribo 5 ni abana, bose bakagira ibimenyetso biteye amakenga nko kuyorwa bidahera no gucibwamwo bikabije. Ico caduka caje bukwi na bukwi ku mitumba ya Nyamitanga na Ndava-village kuva kuwa 7 Ndamukiza 2025, bitera amakenga menshi mu bajejwe amagara y'abantu. Na cane cane ko imvura iheruka yadurumbanije biteye ubwoba isuku mu karere.

Ku kibuga, imigwi y'abaganga iravuga ko biteye ubwoba igahamagara ubufasha bwihuta. « Dufise ivyihutirwa kumagara bikomeye.Inyubakwa, zija zimaze gusaza, zarononywe cane n'imvura y'isegenya, vyaciye vyunyura ubwo nyene kandi biteye ubwoba ibijanye n'isuku mubanyagihugu », bitanzwe n'isoko riva kw'ivuriro risanzwe. Imbere y'indwi, ishirahamwe ry'umusaraba utukura ryari ryabagabishije.Isegenya irimwo imituragaro kiretse ko yononye amazu,yaranabomoye inzu zasugumwe nyinshi zaho, isiga abantu b'i Nyamitanga, Ndava, Kansega na Kaburantwa batakironka amazi meza n'utuzu twa Suguwe dukenewe.

« Tubaho ata mazi meza, ubwiherero….ntawobibamwo.Turakeneye infashanyo yihuta : imiti, imfungurwa, amatara, vyose birabuze ngaha », bishikirizwa n'uwuba ku Ndava, biboneka ko yahuye n'akabi kaho.Umugabo arongoye akarere k'ibitaro mu Cibitoke nawe aremeza ko ico caduka kihari agatera akamo ngo gitorerwe inyishu vuba. Ibikorwa vyo guhimiriza vyashizweho kugira bamenyeshe abanyagihugu amategeko y'isuku boshiraho bongere bakinge irandagata ry'iyo ndwara.Aranatera akamo abatware ko botanga uburyo n'ibikoresho bikenerwa mu twigoro two kurubuga. Ishirahamwe ry'umusaraba utukura rirarindiriwe kugira ripompe mu mihana yafashwe,igikorwa ntasubirizwa muguhasha ico caduka. Mugahinda k'uko bitera vyunyuka, abahaba bararindiriye ko imfashanyo iboneka.

## *IV. GUSOZERA N'IMPANURO*

Umuhari Iteka uravuga atakurya umunwa itituka ribandanya ry'agateka ka zina muntu kandi ririyamiriza ukudahana kw'abagirizwa amabi. Risaba indongozi z'abarundi gufata ingingo zishoboka zigahimiriza ibikurikira :

**Kuri Reta y 'uburundi ko :**

⇒ Kubuza ibikorwa vy'iterabwoba bikorwa n'Imbonerakure, cane cane mubihe vy'amatora;

⇒ Gukingira amateka ikanahagarika amabi akorwa n'Imbonerakure;

⇒ Gukorana n'amashirahamwe afasha abantu kugira baronke inyishu vyihuta kukibazo co gufungura nabi;

⇒ Gushoboza kubaho neza abanya Kongo bari mu birindiro vy'impunzi;

⇒ Guhagarika ubutarariye kubika ibitoro mumazu mugushiraho ingingo ruhasha zibuza igitoro mu mazu kugira bakinge impanuka z'umuriro,isanganya n'inkwirikizi z'umutekano mu mihana.